# Itegeko ribuza kurenganya abantu hisunzwe urukoba

## Inkuru ku bavyeyi n'abarezi

Kurenganya abandi hisunzwe urukoba bifise ingaruka mbi ku kubaho neza kw'abanyeshuri, kugira uruhara kw'ishuri, hamwe n'ukumenya ivyo umuntu aba yize. Kurenganya umuntu hisunzwe urukoba hamwe n'inyifato yo kurenganya abanda hisunzwe urukoba ntivyihanganirwa mu mashuri ya Reta yo muri NSW.

### None ayo mategeko yerekeranye n'iki?

Anti-Racism Policy (amategeko arwanya kurenganya abandi hisunzwe urukoba) atuma habaho ukwubahana, n'ukubana amahoro mw'ishuri no mu bikikije ishuri. Intumbero yayo ni kuraba neza ko uburyo bwo kwiga kuri bose bungana ku banyeshuri bose hatabanje kurabwa umuco kama wabo, ururimi bavuga, canke amadini bavamwo. Iryo tegeko:

- Riremeza ingaruka mbi z'ugufata nabi abandi hisunzwe urukoba ku Aboriginal no Torres Strait Islander
- Riremeza yuko amashuri afise ico yiteze gikomeye ku banyeshuri bose kandi ko ata murwi n'umwe w'abanyeshuri ukwiye guhagarikwa kugira ngo ntushikire indoto zawo zose kubera imico kama yawo, idini ukomokamwo canke ururimi uwo murwi uvuga
- Risaba kw'abantu bose bo muri iryo shuri biyumvira ku bijanye n'inyifato n'ingeso zabo kandi bakaraba neza yuko ibikorwa vyabo bizanira abandi bantu kwiyumvira yuko barenganijwe kubera urukoba.
- Risaba abakozi bose ko baheza kwiga kugira ngo batahure uruhara bafise rwo kurwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba.
- Risaba ko ishure iryo ari ryo ryose ko rigira umukozi yigishijwe ajejwe ivyo kurwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba

### Umukozi ajejwe ukurwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba ninde?

Umukozi ajejwe ukurwanya akarenganyo gafatiye ku rukoba (Anti-Racism Contact Officer (ARCO)) ni umwigisha yatowe n'umuyobozi afasha mu kurongora abandi mu ndero y'ukutarenganya abanda hisunzwe urukoba mw'ishuri. ARCO afasha umuyobozi mu kumuha ibi bikurikira:

- Ashigikira mu kwubaka abakozi kugira ngo batahure ingaruka z'akarenganyo gashingiye ku rukoba ku munyeshuri ariko ariga hamwe no ku kumererwa neza kwiwe.
- Aha impanuro abanyeshuri n'abakozi z'ingene bokwifata n'ingene bogenza igihe babonye canke bumvise abarenganijwe hisunzewe urukoba rwabo
- Batanga impanuro ku buryo ishuri ishobora gushira mu ngiro n'ukugene bashobora gukora kugira ngo barwanye akarenganyo gafatiye ku rukoba.

ARCO yarigishijwe  kugira ngo ashobore gutanga impanuro ku bavyeyi n'abarezi, hamwe no ku bigisha n'abanyeshuri ku bijanye n'ukugene bogenza kugira ngo batorere umuti raporo yerekeranye n'akarenganyo gashingiye ku rukoba. Iyo bibaye ngombwa, ARCO arashobora kandi gukora nka support person or advocate (umuntu ashigikira canke avugira abandi) murico gihe.

## Nokora iki hamwe umwana wanje yoba ariko araca mu karenganyo gafatiye ku rukoba mw'ishuri?

Hamwe umwana wawe yoba ariko araca mu karenganyo gafatiye ku rukoba kw'ishuri, ukwiriye kubatera intege kugira ngo baje kubishikiriza umwigisha canke umukozi ajejwe kurwanya ukurenganya abandi hisunzwe urukoba, canke na wewe nyene ushobora guserukira umwana wawe ukabishikiriza.

## Notanga raporo gute ku bijanye n'akarenganyo gafatiye k'urukoba kw'ishuri?

Umuntu uwo ari we wese wo kw'ishuri harimwo n'abavyeyi n'abarezi hamwe n'abakozi n'abanyeshuri, barashobora gukora report (raporo) ibijanye n'akarenganyo gashingiye ku rukoba. Raporo y'akarenganyo gashingiye ku rukoba bishobora gushikirizwa abayobozi, abakozi bajejwe ibijanye n'ukurwanya akarenganyo gashingiye ku rukoba canke uwundi muntu wese w'umukozi. Raporo irashobora gukorwa imbonankubone, ukoresheje imeri cyangwa terefone, ndetse no kumurongo ukoresheje ishami feedback and complaint form (urupapuro n'ukugene ukwitwara kugenda).

## Bigenda gute ku barenganya abandi hisunzwe urukoba ku mirongo ngurukanabumenyi?

Ukurenganya abandi hisunzwe urukoba kw'ishuri kubera ku mirongo ngurukanabumenyi, nk'abanyeshuri berekeza ukurenganya abandi hisunzwe urukoba bakabigirira abanyeshuri canke umurwi w'anayeshuri kubera imico kama yabo, bategerezwa gushikirizwa ishuri nk'aho hejuru. Ku bijanye n'impanuro yerekeranye n'ukugene umuntu ashobora kuba amahoro ku murongo ngurukanabumenyi, raba Online safety (ukugira umutekano n'amahoro ku murongo ngurukanabumenyi) kuri eSafety Commissioner website (eSafety uwujejwe ubuhinga ngurukanabumenyi).

## Ni hehe nokura izindi nkuru zirengeye izi?

Ku zindi nkuru zirengeye izi raba Anti-racism education (Indero yo kurwanya abarenganya abandi bisunze urukoba).

## Gufasha mu bijanye n'ugusigurirwa

Nimba ukeneye umusobanuzi kugira ngo agufashe kuvugana n'ishuri canke gusaba umubonano ku mukozi wo kw'ishuri usabwe guterefona ku bikorwa vy'ubusobanuzi kuri 131 450 kandi uce usaba umusobanuzi mu rurimi rwawe.

Bwira uwo ari kuri iyo mashini yitaba inomero za telephone y'ishuri uwo muntu na we azoca aterefona iyo shuri hanyuma ace akuronkera umusobanuzi ku murongo kugira ngo agufashe muri ico kiganiro muzogirana.

Nimba ukeneye umusobanuzi muri mu mibonano no mu nama n'abakozi b'ishuri, saba iyo shuri igutegurire uwo muntu. Iryo shuri rizotegura ukugene bigenda aho hantu muba mukoraniye, ku murongo ngurukanabumenyi canke ku wusobanura ibivugirwa kuri telephone, bivanye n'ababa bahari. Nta mahera uzorihishwa kuri izo seruvisi z'ugusobanura.